**Réf. 441/db/ls/2022**

# URUGO RUKRISTU NIRUBE EKLEZIYA YO KU ZIKO

***Inyigisho y'ukwitegurira umusi mukuru wa Noweli 2022***

## 0. INDAMUTSO N'INTANGAMARARA

Ndabaramukije amahoro. Ndabipfurije amahoro akomoka ku Mukama wacu Yezu Kristu, n'umugisha w'Imana Data Mushoboravyose, hamwe n'ingabirano za Mutima Mweranda.

Ndabahaye ikaze muri iyi nyigisho yo kwitegurira guhimbaza imisi myeranda ya Noweli. Mu misi mikeyi tuzohimbaza ikinyegezwa c'ukwigira umuntu kw'Imana muri twebwe, tuzokwigina mu kanyamuneza umuzo w'Umwana w'Imana « *yavuye mw'ijuru kubwa twebwe abantu agira ngo adukize*, *yihaye umubiri mu nda ya Bikira Mariya kubwa Mutima Mweranda* ».

Muri uyu mwaka w'ubutumwa w'2022 ushira uw'2023, Ekleziya gatolika yose iri mu Burundi iriko irahimbaza Yubile y'imyaka 125 irangiye Inkuru nziza ya Yezu Kristu ishitse mu gihugu cacu. Kubera ivyo, Abepiskopi bacu bakaba baradushikirije ijambo rikuru tuzozirikana mu kwigina iyo sabukuru badusaba kwijukira ubutumwa bw'ingo, kugira ngo urugo rukristu rubashe kuba Ekleziya yo ku ziko imenyesha Inkuru nziza hose.

Uyu musi rero muze dutangure kubizirikana dufatiye kuri iri jambo ngo : « *Urugo rukristu ni rube Ekleziya yo ku ziko* » duce tuboneraho kwibaza ingene ingabirano y'ukwemera imaze imyaka 125 ishitse mu Burundi bwacu yoguma itera imbere mu ngo zacu. Iryo jambo tuzobandanya turizirikana mu gihe c'ikarema no mu bindi bihe kugira ngo rizodufashe kuvyagiza ukwemera mu ngo zacu, zibonereho kuba *Ekleziya yo ku ziko*.

Tubanze dukubitize amaso inyuma twihweze ingene Inkuru nziza ya Yezu Kristu twamenyeshejwe yakiriwe mu ngo zo mu gihugu cacu kuva ikihashika gushika ubu.

## I. INKURU NZIZA YA YEZU KRISTU YAKIRIWE GUTE MU NGO ZACU MURI IYI MYAKA 125 EKLEZIYA IMAZE MU BURUNDI?

Kuva abamisiyonari bagishika mu Burundi, bashatse ko ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu bushingira ku rugo.

Nko mu kwandika no mu kwigisha abitegurira guhabwa ibatisimu, bakira umugabo n'umugore babana kandi bemeye kuzogumana mu rugo rumwe. Uwaramuka aje gusaba ibatisimu asanzwe afise abagore benshi bamubwiriza gutoramwo umwe muri bo, akemera yuko abasigaye atazosubira kubararira naho batamutegeka kubirukana.

Abubakanye bamaze kubatizwa, abana babo bakiri bato baca babatizwa, bagakura bigishirizwa mu rugo ibisabisho n'amabwirizwa y'Imana. Abavyeyi barongera bakiganira abana babo ivyiza Imana yagize canke bakabibasomera mu gitabu c'*Ubwuzure bw'Imana n'abantu.* Bisubiye abavyeyi n'abana imisi yose barakorana bakavugira hamwe ibisabisho vyo mu gitondo n'ivyo ku mugoroba, canke bakambaza Umuvyeyi Bikira Mariya mu gisabisho c' ishapure, bakaririmba indirimbo z'Imana bakongera bakibukanya ibitero vy'ikatikisimu. Baramenyereza abana kwambara mw'izosi ibimenyetso biranga ukwemera kwabo, ibindi bakabimanika mu mazu ; ivyo navyo ni nk'imidari, amashapure, imisaraba, n'amasanamu.

Inyigisho y'ikatikisimu yarahinduye imico imwe imwe itari myiza mu ngo: umugabo n'umugore baramenye ko bafise iteka rimwe bahawe n'Imana, cane cane iry'umukenyezi riratera imbere; ugaharika, ukuba barata baratora kw'abagabo, be n'ukuva mu ngo baja mu zindi kw'abakenyezi biragabanuka. Abamisiyonari bagumye bihatira kumenyereza abarundi gushinga izabo bafise umugambi wo kubana n'ukugumana, mu gusangira ubuzima gushika gupfa, no mukuja inama mu vy'ukwibaruka n'ukurera ibibondo.

Ukuja kwigishwa mu bakatekumeni n'ukuja gusenga ku misi y'Imana kwaratumye umugabo n'umugore wiwe bashobora kubonana kenshi n'abandi bantu baturuka mu micungararo ya kure, hambavu y'abaryango babo, batangura kumenyana n'abatari ababanyi n'abaryango gusa, baramenya ibintu n'ibindi vy'ahandi, batangura kugira imigenderanire yugurukiye abo badasangiye umuryango canke agatumba. Imisore n'inkumi yaboneyeho kuva mu kwaha kw'abavyeyi babo, irashobora kwibonanira n'ukuganira ivya kazoza, ihabonera n'ugushobora kwihitiramwo abo bazokwubakana batabagenewe n'abavyeyi babo nk'uko vyari bisanzwe bimeze mu migenzo yo hambere.

Ukuja gusenga ku misi y'Imana n'ukwigira ibatisimu vyaratumye kandi abana na cane cane abana b'abigeme bataguma bugaraniwe iwabo gusa, biraheza birabugururira ubwenge kuruta. Mu gutanguza n'uguhimiriza ivyo kuja mu mashure naho, abamisiyonari bareretese abantu ko abana atari umutahe wo kugwiza abakorera urugo gusa, ahubwo ko abavyeyi babwirizwa kubarera ngo babe abantu bashitse ku neza ya nya bana.

Ukumenyesha Inkuru nziza mu Burundi kwaragabanuye ivyo kwita abana amazina arimwo amashari, ugushamirana n'ugukebana n'ibindi benivyo, haca hagwira amazina afatiye ku kwemera Imana ya Yezu Kristu. Kwaratumye benshi baheba imigirwa imwe imwe nk'ukubandwa, uguterekera, ukuraguza n'ukwambika abana uduheko. Imanza zibera mu rugo nk'ugufoba abitavye Imana n'ukubagandukako abantu batangura kuzimara babanje kwambaza Imana; imigenzo myiza nayo nk'uguhezagiza imbanyi, imbuto, amazu n'ibindi birashinga imizi.

**Yamara rero**,

Nta wosya bwose kuko hakiriho imico iteye kubiri n'ubukristu nyabwo ikiboneka mu ngo zimwe zimwe. Hariho abasangiye urugo babana nk'abatagira ico bapfana, canke abasangiye urugo bakorana ibindi vyose mugabo ntibigere bahwanira ku gisabisho n'ibindi vy'Imana.

Turazi ko hakiriho ingo zigikongatariye mu bintazi, ukuraguza, uguteranya n'ukwankana. Turazi ko imbuto y'ishari n'inzigo ikibibwa, ugasanga aborahuriraniye badacana uwaka. Ingo zimwe zimwe ziracabiba mu rwaruka imbuto mbi y'amacakubiri ashingiye ku bwoko, ku mamuko, no ku bindi vyiyumviro abantu baba begamiye.

Mu ngo zimwe zimwe ingeso y'ukwiganza iracariho, ugutukana n'ukurwana, ubukunzi bw'inda, ukwigungirako amatunga, ukutaja inama n'ugufata ingingo zihotora abazifatiwe, ukudasonera agateka k'uwo mwubakanye, cane cane ak'abakenyezi n'ak'abana. Hariho n'abavyeyi bamwe bacanishamwo abana hagati yabo canke bakabateranya n'uwundi muvyeyi. Aha ntitwibagiye uguhemuka ku ndagano n'ukurenga ibigo, ugutera intobo, ukubogora uruvyaro, ndetse n'uguharika.

Hariho rero n'iyindi mico mishasha iteye amakenga tuja turabona. Twovuga nk'abacikiriza mu ndaro z'ibitungwa, munsi y'ibigara vyo kwanikirako ivyimburwa, canke mbere bagacikiriza no mu nzu abavyeyi basanzwe babamwo. Twovuga n'umugenzo w'ukurondera kwubakana kw'abari kure na

kure babicishije mu masanamu bahanahana ku buhinga ngurukanabumenyi, bakazobonana irya mbere umusi wo kwambikana impeta**.** Hariho ingo zamamwo induru ziturutse ku busambanyi, ukwikekana nabi, abagore bagwana bapfa abagabo, abaja guca amahera mu bihugu vya kure batabigiye inama n'abo bubakanye n'ibindi.

Vyongeye urugo si umugabo n'umugore n'abana gusa, ingo zitari nke zirimwo n'abakozi n'abatsi b'indaro. Muri bo, hariho abakozi bo mu nzu canke bo mu ndimo bifata nk'abakorera ingero gusa, ntibitange bikwiye mu bikorwa, bagasesagura canke bagasahura ivyo baragijwe, bamwe bamwe bakigisha ingeso mbi abana. Hari n'abakozi baca baheba gusenga mbere n'uguhuna bagahuna, ku misi y'Imana bakishinga igihari gusa.

Hariho kandi abakoresha badasonera agateka k'abakozi, bakama babaturubitse, bakababacura bufuni na buhoro, ikitavuzwe coco ni ukuvyura agatima ko guteza imbere abakozi babo, bakababahemba intica ntikize, naho nyene bibanje kugorana canke mbere bakagira kubaheranira n'uguca babirukana, iyo batabanje kubagiriza ibibi batakoze.

## II. URUGO RUKRISTU RWAGENEWE KUBA EKLEZIYA YO KU ZIKO.

Mu bisanzwe urugo rugizwe n'umugabo n'umugore, abana, eka mbere n'abandi bose barubamwo, umwe umwe wese muri abo akaba afise uruhara mu buzima bwarwo. Urugo rukristu narwo rugizwe n'umugabo n'umugore bafatanijwe n'Imana mw'isakramentu ry'ukwubaka rukristu, abana bibarutse hamwe n'abandi bose barubamwo. Urugo rukristu rero ntirukomoka k'ugushaka kwa muntu gusa, rukomoka ku mugambi w'Imana, kuko niyo yarushinze aho yavuga iti: "*si vyiza ko umuntu aguma ari wenyene, ngira ndamugirire umufasha bakwiranye."*(Amamuko 2,18). Urwo rugo kandi Imana yararuhezagiye ivuga iti: *"Ni murondoke kandi mugwire ».* (Amamuko1, 28) Irongera iruha ubutumwa iti : « Ni *mwuzure isi muteko muyiganze* ».

Vyongeye, urwo rugo Imana ishaka ko rwubakira ku rukundo ruri hagati y'abari muri rwo. Kukaba nkako, umugabo n'umugore bamaze kubakana "*ntibaba bakiri babiri, ahubwo baba babaye umubiri umwe*" (Mariko 10,8). Urwo rukundo rubagira umwe ni urukomoka kuri "*Kristu yakunze Ekleziya akayihebera*" (Abanyefezi 5,25). Urwo rukundo rwa Kristu nirwo kandi ari isoko ry'urwo abavyeyi bagiriranira n'abana babo rukongera rukaba n'isoko

ry'urukundo bagiriranira n'abandi barubamwo, harimwo n'abakozi (Raba Abanyefezi 6,1-9)

Mu gihe urugo ruba rwubakiye ku rukundo nk'urwo, niho rushobora kuba *Ekleziya yo ku ziko* nkuko Papa n'Abepiskopi badahengeshanya kuvyigisha.

Inama Nkuru y'Ekleziya yabereye i Vatikano ubugira kabiri yaravuze ivyiza bikomoka kw'isakramentu ry'ukwubaka rukristu abubakanye bahana iti: " *Abubakanye rukristu barafashanya gutagatifuzanya mu rugo rwabo, mu kwakira n'ukurera abana babo. Mu buzima bwabo no ku rugero rwabo, bafise ingabirano mu gihugu c'Imana, ubumwe bwabo nibwo buvyara umuryango uvukiramwo abantu bashasha, akaba aribo ingabirano ya Mutima Mweranda baronka mw'ibatisimu, batuma igihugu c'Imana kibandanya imyaka yose"* (Umuco w'Amakungu Lumen Gentium n°11).

Iyo nama irongera ikavuga ko abubakanye boba abatumwa b'urukundo kuko bafise agashusho k'Imana iti: "*abubakanye baremwe bo nyene mu gashusho k'Imana... mu kuba bamwe mu rukundo, mu vyiyumviro bimwe no mu bweranda, bamurikiwe na Kristu we soko ry'ubuzima; mu kanyamuneza n'utwigoro tw'ibanga ryabo no mu kugumya ibanga ry'urukundo rwabo, bazoheza babe abatumwa b'urukundo Kristu yerekanye mu rupfu n'izuka ryiwe."*(Ekleziya mu bihe vya none (G.S.) n°52§7)

Iyo nama kandi irigisha ko abavyeyi aribo bashinzwe gushikiriza ukwemera abana babo ivuga iti. "*Mu karorero keza kabo, abavyeyi bategerezwa kuba abashikiriza ukwemera abana babo mu muryango ariwo Ekleziya yo ku ziko, uko kwemera kugashikana abana babo ku ngabirano yabo, na cane cane ku ngabirano y'umuhamagaro udasanzwe w'ukwiha Imana* (Umuco w'amakungu Lumen Gentium n°11).

Iyo nama irungikanya iti:"*bamurikiwe n'akarorero n'igisabisho c'abavyeyi babo, abana eka mbere abo bose baba mu muryango, bazokugurukira inyifato runtu, baheze barondere inzira y'urukiza n'ubweranda. Abo bavyeyi nabo, bazoheza bategere ibanga ryabo rya serugo na inarugo, barangurane iteka ubutumwa bubega bwo kurera abana babo cane cane muvy'Imana"*(Ekleziya mu bihe vya none (G.S.) n°48§3).

Umweranda Papa Yohani Paulo wa kabiri nawe avuga ko ugushinga urugo n'ukurwubaka ari ibanga ntasubirizwa kugirango abantu n'ibihugu babandanye kubaho ati: *"Ukwabirana niwo mushinge w'urugo, nkuko urugo narwo ari*

*ihangiro ry'ukwabirana. Ntawushobora kubitandukanya, kuko nivyo kazoza n'umuco w'abantu n'ibihugu."*(Homélie a Bragga, in Documentation catholique du 6-6-1982 n°1831).

Nyenubweranda Papa Benedikto wa XVI nawe yavuze ko urugo rukristu ari Ekleziya, kubera ico, rurafise ubutumwa burwega mu muryango w'abemera no mu gihugu ati: "*urugo rushingiye kw'isakramentu ry'ukubaka rukristu ni irangurwa ridasanzwe rya Ekleziya, rukaba n'umubano wacunguwe kandi ukiza, wamenyeshejwe inkuru nziza kandi uyimenyesha. Ko ari Ekleziya, urahamagariwe kwakira, kwerekana n'ugutamanzurira isi urukundo rwa Kristu. Ukwakira n'ugutanga urukundo rw'Imana vyiserurira mu kwitangiranira kw'abubakanye, mw'irondoka ryuzuye urukundo kandi ryiyumviwe, mu kwitwararika no mu kurera abana babo, mu bikorwa no mu migenderanire n'abandi, mu kwitwararika abari mu bukene, mu gufashanya n'abandi mu bikorwa vya Ekleziya no mu kwitaho ivy'igihugu"* (Pape Benoît XVI, discours à l'Assemblée plénière du Conseil Pontifical pour la famille, décembre 2011)

Ikatikisimu ya Ekleziya gatolika nayo yarashinze ko urugo arirwo "*mushinge w'ubuzima n'umubano w'abantu. Niho umuntu* asanzwe *ategerezwa kuba kandi ni naho umugabo n'umugore bahamagariwe kwitangiranira mu rukundo no mu gutanga ubuzima".* (CEC n°2207)

N'Abepiskopi bacu baratomoye neza *Ekleziya yo ku ziko* ico arico aho bavuga bati: *"Muri Ekleziya yo haziko, abubakanye babaye umubiri umwe; ni abatambukanyi bategerezwa kwitwararikana kandi bakitwararika indero y'abana. Ibiranga Ekleziya yo haziko ni nk'ibi: igisabisho, ikiyago c'ukuri, ugutunganya neza ivy'urugo n'ugufashanya. Umugabo n'umugore babwirizwa gukundana ata gahemo, gutsinda ishavu ntihagire uwuvyimvya umutima uwundi... uko abavyeyi bitwararika ubweranda bwabo, niko bategerezwa kwitwararika indero runtu na rukristu y'abana babo. Bazobigisha gukunda Imana Jambo ryayo, kuyisenga no kwubaha amabwirizwa yayo. Abavyeyi bemera Kristu ni ivyabona vy'Imana ku bana babo... Abo bana baraheza nabo bakabera bagenzi babo ivyabona vy'Imana n'intangarugero mu kurangura neza ivyo bategerezwa."* (Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi, *Ukwubaka rukristu. Indinganizo n'amategeko ngenderwako bigenga ingo n'imiryango mu madiyosezi gatolika yo mu Burundi* n°75) .

Ekleziya yo ku ziko rero igizwe ubwa mbere na mbere n'abafatanijwe n'urukundo mw'isakramentu ry'ukwubaka rukristu. Urwo rukundo umugabo

n'umugore bafitaniye nirwo ruheza rukabagira abatumwa barwo mu kwibaruka ibibondo, mu kubireresha akarorero keza n'imico myiza y'ukwemera ishingiye ku nkuru nziza ya Yezu Kristu, no mu kwakirana urukundo n'abandi bantu baza bagana urugo rwabo.

Nk'uko Ekleziya Muryango ari umubiri umwe muri Kristu, niko abagize urugo ari Ekleziya yo ku ziko, aho umwe wese mu rugo afise iteka ahabwa na Kristu, kandi umwe wese ategerezwa gukundwa ata kindi umuntu aravye atari uko ari agashusho k'Imana n'urugingo rwa Kristu, kandi afise uruhara ntasubirizwa mu kwubaka urwo rugo.

None aha iwacu, mu ngo zacu twokomeza Ekleziya yo ku ziko gute?

## III. TWOKORA IKI KUGIRA NGO DUKOMEZE EKLEZIYA YO KU ZIKO MU NGO ZACU?

Basogokuru barayamaze bati: « *Iyija kurisha ihera ku nama* ». Ubukristu bwa muntu bukomera iyo bushinze imizi mu rugo rukristu ruri *Ekleziya yo ku ziko*. N'umwana iyo yavukiye mu rugo rukristu akarukuriramwo, araheza agakurana imico myiza y'ubuntu n'ubukristu. Ni naho atangurira guhoha izina ry'Imana, agakura ayikunda, ayemera kandi ayisenga.

### *Ingo z'abakristu*

Mwarimitse Kristu mu ngo zanyu, ni abe rero umwe muri mwebwe, mumurabireko, mumwisunge muri vyose, ababere isoko muvomamwo ivyiza bikomeza ubukristu bwanyu.

Ndasavye nshimitse rero ingo zose z'abakristu ngo zame zitwararika kubaho nk'abantu bamenye Imana, kandi bayemera bakagendera mw'ibwirizwa ry'urukundo Kristu yaturaze. Nico gituma mwovavanura n'imico mibi ishingiye ku bintazi n'izindi ngeso mbi, kuko arivyo bihungabanya ukwemera, bigasambura ingo rukristu.

Akaranga kanyu ni ukwemera Yezu Kristu. Ni mukunde gusenga rero, mwige gukoresha imvugo ishingiye kw'Ijambo ry'Imana igihe cose. Ni musonere amabwirizwa y'Imana, mwigishanye kuyazigama n'ukuyarangura.

Mu rugo rwanyu ni muhane iteka. Abari muri rwo bose mubafate nk'abana b'Imana bakundwa na Yo. Ni mwitwararike abakozi mukoresha *"...mumenye*

*neza ko mwebwe na bo mufise shobuja umwe aba mw'ijuru, kandi ko ata n'umwe asobanurwa kuri we"* (Abanyefezi 6,9). Ni mwame mwitaho ubwa mbere na mbere gushitsa ivyo mwasezeranye cane cane ibijanye n'impembo yabo, mubasonere kandi mububahirize. Niho nabo bazoheza bakarangurana umutima w'urukundo ibikorwa mubashinga.

***Abavyeyi***

Ndibukije abavyeyi mwese ko muri "*abafasha b'Imana mu gukuza no guteza imbere ukwemera*" mu ngo zanyu (Amoris Laetitia n°287). None rero, abana banyu ni mubarereshe Ijambo ry'Imana, amabwirizwa yayo n'uguhabwa amasakramentu. Ni mwigane Umuryango Mweranda w'i Nazareti mumenyereze abana banyu imico y'ubukristu mu kiyago canyu, mu bikorwa vy'urukundo mugirira abandi, mu gusangira igisabisho na bo no mu kubakundisha umuryango w'Ekleziya.

Abana banyu ntimubaragize abandi gusa ngo hagire abavyeyi bigira nk'abarorerezi; nimukurikirane riho ingiro n'ingendo zabo, niho muzobona neza ivyo bakeneye bibakuza, bikaberekeza ku Mana yabaremye.

Ni mwijukire gutunga mu nzu zanyu igitabo c'Ijambo ry'Imana n'ibindi bitabu birimwo inyigisho ndoramana, mushire ahabona ibimenyetso vyeranda: nk'umusalaba, ishapule, amasanamu y'aberanda ... muheze mubikoreshe mu gusenga, abana nabo babarabireko, bamenyere kubikoresha, maze bibabere isoko bavomamwo ibibakomereza ukwemera n'ugukurana ingeso nziza z'ubukristu.

Ukwemera ni itunga ry'urugo Yezu Kristu yaturaze. Ni murigumye nk'iragi ry'Imana n'iry'urugo, muheze muzorirage abana banyu, kandi rizoje riraba uruhererekane mu muryango uko imvyaro zizoja zirakurikirana gushika aho Yezu azogarukira.

***Urwaruka***

Rwaruka nkunda, ni mumenye neza yuko mu bisanzwe ata handi hantu na hamwe umuntu yoshoboye kumererwa neza kuruta mu rugo iwabo. Ni mukunde rero iwanyu, mwihanganire ubukene n'utunenge bishobora kuhaba. Ni mwemere murerwe, abavyeyi banyu mubakunde kandi mubasonere.

Imana irakunda urwaruka kandi ikarwizigira. Irashaka mbere kubashinga amabanga ahambaye nk'uko yabigiriye Jedeyo ( Raba Abacamanza 6, 11-40), Samuweli (Raba 1 Sam.3), umwami Dawudi (Raba 1 Sam.16), umuhanuzi Yeremiya (Raba Yerem.1) n'abandi, ikabashinga ubutumwa buhambaye mu gihugu cayo bakiri bato. Namwe rero, ko Imana yabizigiye ikabagira beza mu kubaremana agashusho kayo, ni mugaragaze ubwo bwiza bw'Imana buri muri mwebwe. Ni mukunde ivyiza n'ibigororotse, mwihatire kubikora igihe cose kuko arivyo bibaha akanyamuneza k'ubuzima murimwo no muri kazoza kanyu. Bizobatuma mukura mufise uruhara rwiza mu muryango, mube abizigirwa kandi bafise ico baterera mw'itunganywa ry'imigambi y'urugo.

Rwaruka rwacu, ni mukanure mubone ukuri. Nta handi hari urukiza atari ku Mana yabaremye. Ni mwimenyereze rero imico myiza y'ukwemera: gusenga, kuganira n'Imana mw'Ijambo ryayo, kuyiririmbira, kuyirata mu vyese no mu tundi dukino, kuja hamwe n'urunganwe musangiye ukwemera mu mibano rukristu, mu mihari, mu migwi y'ubutumwa no mu mahwaniro atunganijwe n'abarongoye Ekleziya.

***Abakozi***

Namwe bakozi bo mu rugo, ni mwifate nk'abana bo munzu, ibikorwa mujejwe mubikore nk'abakristu atari abacangero; aho mukora, muhabe nk'iwanyu.

*"Murazi neza ko umuntu wese ni yakora ivyiza azobisanga imbere y'Umukama, yaba umusuku canke uwidegemvya*" (Abanyefezi 6, 8). Ni mukore nk'abikorera rero. Mufise igikorwa gihambaye co kwunganira abato n'abakuze; ni mubakunde, mubasonere, kandi mubagamburukire nk'uko mwoba muriko mukorera abavyeyi banyu n'abo muvukana, na kare ngo "*Ukora iciza ukagisanga imbere*".

## IV. UGUSOZERA

Mu gusozera ino nyigisho, ndabibutse ko muri iki gihe c'ubushikiro bwa Noweli, Ekleziya umuvyeyi wacu iduhamagarira guhimbaza mu kanyamuneza ingabirano y'agakura y'ikinyegezwa c'ukwigira umuntu kw'Imana muri twebwe. Muri uno mwaka tukazohimbaza uwo musi mukuru turiko turigina Yubile y'imyaka 125 Inkuru nziza ya Yezu Kristu itanguye gusamirana mu gihugu cacu.

Muri uno mwaka rero, tuzokwifatanye n'abandi bavukanyi bo mu yandi ma diyosezi gatolika yo mu Burundi, dutere impundu Imana kuri iyo sabukuru nyeranda. Hano iwacu twarabateguriye inyigisho, ingendo nyeranda, amahwaniro y'urwaruka n'ay'ingo z'abubatse rukristu n'ibindi bikorwa bizodufasha guhimbaza mu kanyamuneza iyo myaka 125 tumaze twakiriye Inkuru nziza ya Yezu Kristu. Ngiriyeko rero ndabararika ngo muzokwitabane igishika ivyo bikorwa. Nsozereye ndabatera akamo ngo murushirizeho gutagatifuza ingo zanyu zibe koko *Ekleziya yo ku ziko*, muzitsimbazemwo imico y'ukwemera n'ibikorwa biranga ko twabaye abana b'Imana muri Yezu Kristu Umukama wacu.

Ndabipfurije Umusi mukuru mwiza wa Noweli, ndabipfurije kandi n'ukuzotangura mu kanyamuneza umwaka w'2023 kandi ndabashikirije umuhezagiro w'Imana Data, Mwana na Mutima Mweranda.  Amen

Bigiriwe i Bururi, ku wa 22 Munyonyo 2022

✠ Salvator NICITERETSE

Umwungere wa Diyosezi ya Bururi